Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 68
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°768 01 Ruheshi 2022

# Duhamagariwe kwubaka umuryango w'abantu

Kuw'Imana wa 4 ukurikira umunsi mukuru wa pasika, niho muri Ekleziya hahimbzwa umunsi mpuzamaungu wahariwe itorwa. Uyu mwaka, ugira uwa 59 wo gusabira amatorwa. Nyenubweranda Papa Fransisko yarashikirije ijambo aho avuga ati: «**Duhamagariwe kwubaka umuryango w'abantu»**

Bavukanyi nkunda,

Naho ibihuhusi bikaze vy'intambara n'agacinyizo bigihuhuta no muri bino bihe kandi ko tubona kenshi imyitwarariko idutesha umutwe, twaratanguje muri Ekleziya inzira y'inama nsangizangendo : Turazirikana ko vyihutirwa kugendera hamwe, gukuza ukwumviriza, ukwitabira no gusabikanya. Kumwe n'abagabo n'abagore bose b'umutima mwiza, dushaka guterera mu kwubaka umuryango w'abantu, mu gutenga ibikomere vyawo no mu kuwerekeza kuri kazoza keza.



Soma ku Rup. 3

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Anatolie NIYIMPAYE*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

# "Igikorwa cose kibonekere ku mwimbu, umurundi wese aroranirwe."

15. Aha ndazi ikibazo uwo ari we wese aca yibaza kubera akahise kacu kabi mu gutunganya itunga ry'igihugu. Muti kugira dutange amakori, dukeneye intwaro ibereye, ishobora kubungabunga itunga rusangi, rigakora ku neza y'abenegihugu bose.

Ivyo ndabibemeyere, tubivugako rumwe kandi murazi ko ubu burongozi mbereye umuyobozi bwagize intwaro ibereye umuheto w'urugamba rwo kugwanya ubukene. Nawenu! Turazi ko atawokwemera ko azana umwimbu mu kigega rusangi ngo hanyuma uramire abatawubiriye akuya. Ni co gituma ngaha ari akaryo ko kuvunira akagohe abakorera igihugu kugira bakore ibishoboka vyose gurtyo bakomeze umwizero hagati y'uburongozi n'abenegihugu.

16. Ntihagire uwibaza ngo ntibamubona, ngo yishinge kurya ivyabo yicaye. Abitwa ko bakorera igihugu hanyuma bakarya bicaye, ni bo batuma abatanga amakori bacika inkokora. Uretse kurya ivy'igihugu wicaye, ubunebwe ni yo nkomoko yo kurya ibiturire, kubera uwukeneye ico umukorera, ahitamwo kuguhendahenda akaguha agahimbazamusyi kandi wahembwa kugira umutunganirize.

Ni mwibaze namwe kuba umwenegihugu yaramaze kuguha impembo ngo umukorere, ugaca umwaka impembo igira kabiri.

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Abakozi bacungera impangu n'ibintu, basaba gufatwa nk'abandi bakozi..................7
o Ikibazo c'umwimenyerezo mu mashule yegukira Ekleziya muri diyoseze nkuru ya Bujumbura ku ncuro ya 4..........................................................8
o Polina Jaricot Ekleziya yaraye imushize mu rutonde rw'abahimbazwa..............................................9
o Uburenganzira bw'abana bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo..........................10

# Idominika ya Pentekoti , Umwaka C

**Igisomwa ca mbere:** ***Ibik. Vy'Abat. : 2, 1-11***

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa :

(*Bose buzura Mutima Mweranda*)

Umunsi wa Pentekoti wasanze abatumwa bose bakoraniye hamwe. Niho havyuka intureka iva mw'ijuru imeze nk'umuyaga w'igihuhusi, wuzura inzu barimwo hadaciye n'akanya. Babona haserutse imbeya zimeze nk'indimi z'umuriro, ziricagura zija guhagarara ku mutwe w'umw'umwe wese mu bari aho. Bose buzura Mutima Mweranda, batangura kuvuga izindi ndimi ku rugero Mutima Mweranda abahaye kuzivuga.

I Yeruzalemu naho, hagerereyemwo abantu bubaha Imana, bari bavuye mu ntara zose ziri munsi y'ijuru. Aho bumviye intureka, abantu bose barashwabaduka bumiwe bwumirwe, kuko umwe wese yumva abatumwa bavuga ururimi rw'iwabo. Bagwa mu gahundwe, baraheza bavuga bati: "Aba bantu bavuga si ab'i Bugalile? Bigenze bite ko umwe wese yumva bavuga ururimi rw'amavukiro, uri ab'i Pariti, uri ab'i Medi n'abo i Lamati, uri abaturuka i Mezopotamiya n'i Buyudeha n'i Kapadosiya n'i Ponti muri Aziya, uri Abanyafrijiya n'Abanyapamfiliya n'Abanyamisiri be n'abava mu ntara y'i Libiya yegereye Sirene, uri Abaromani bari ino, uri Abayahudi n'abatoranye idini yabo, uri Abakreti n'Abarabu, twese twumva bahaya mu ndimi zacu ivyiza vy'Imana.

## Igisomwa ca kabiri : *1Abanyakorenti: 3, 1-4*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umututumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti:

(*Muri Mutima umwe niho twabatirijwe twese ngo tube umubiri umwe*)

Ncuti zanje, nta numwe yoshobora kuvuga ati: "Yezu ni Umukama atabivugishijwe na Mutima Mweranda. Niko, hari ubwoko bwinshi bw'ingabirano, mugabo Mutima akaba umwe; hari ubwoko bwinshi bw'imirimo, mugabo Umukama akaba umwe; hari ubwoko bwinshi bw'ibikorwa, mugabo Imana yo itanga vyose muri bose ni imwe nsa. Umwe wese ahabwa na Mutima ingabirano, kugira ngo igirire akamaro bose. Nkuko umubiri ari umwe, ukagira ingingo nyinshi, na zo izo ngingo zose zikagira umubiri umwe, naho ari nyinshi, niko Kristu ameze nawe. None natwe, muri Mutima umwe niho abatirijwe twese ngo tube umubiri umwe, baba abayahudi canke Abagreki, abashumba canke abidegemvya; bisubiye, twese twagabanye Mutima umwe.


## Inkuru nziza : Yohani : 20,19- 23

**Alleluya, Alleluya.**

*- Ingo Mutima Mweranda, niwuzure imitima y'abakwemera, gira ko urukundo bagufitiye rwomera muri bo nk'umuriro waka.*

***Alleluya.***

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Yohani :



(*Kumwe Data yantuma, nanje niko ndabatumye: nimuronke Mutima Mweranda*)

Ku mugoroba w'uwo munsi, ari wo mubarwa wa mbere mu ndwi, mu nzu yarimwo abigishwa, bari bugaye inzugi kugutinya abayahudi. Niho rero yezu yaza, agahagarara hagati muri bo, ababwira ati: "Nimugire amahoro!" Avuze atyo abereka ibiganza vyiwe n'urubavu rwiwe.

Abatumwa ngo babone Umukama baranezerwa. Yongera ababwira ati: "Nimugire amahoro! Kumwe Data yantuma, niko nanje ndabatumye." Ababwiye ivyo arabahuha ati: "Nimuronke Mutima mweranda, abo muzorekurira ibicumuro bazoba babirekuriwe, abo muzobigumizako na bo bizobagumaka."

***SOMA NDONGOZI***
***ANDIKIRA NDONGOZI***
***KUNDISHA NDONGOZI***
***TERERA NDONGOZI***

# Duhamagariwe kwubaka umuryango w'abantu

*(Bitangurira ku rup.1)*

Muri iyo ntumbero, kuri uyu musi mpuzamakungu ugira 59 wahariwe gusabira amatorwa, nashaka kuzirikana hamwe namwe ku nsiguro yagutse y'ijambo «itorwa», mu ntumbero ya Ekleziya nsangizangendo itanguye kwumviriza Imana n'abantu.

Duhamagariwe kwitangira ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza Inama nsangizangendo, nk'uburyo bwo gutambukira hamwe ni umuhamagaro shimikiro kuri Ekleziya, kandi ni aho tugarukiriza amaso bishoboka kugaragaza no guha agaciro imihamagaro itandutanye, ingabirano n'ubusuku.

Muri ico gihe nyene, turazi ko Ekleziya iriho kugirango yigishe Inkuru Nziza, mu kwivako yo nyene no mu kubiba imbuto z'Ijambo ry'Imana muri kahise.

Ubwo butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza bushoboka neza na neza mu gushira mu runani ibisata vyose vy'ubuzima ndangabutumwa, hamwe no kwinjizamwo abigishwa bose b'Umukama.

Nkako, « Mu bubasha bw'ibatisimu twaronse, umuntu wese ari mu gihugu c'Imana yabaye umwigishwa n'umumisiyonari (Mt 28, 19). Uwabatijwe wese, tutaravye ivyo akora muri Ekleziya, yiga bike canke vyinshi bijanye n'ukwemera, ni umutumwa wo kumenyesha Inkuru Nziza. »

Dutegerezwa kwiyambura ivyiyumviro bitandukanya abasaserdoti n'abakristu balayike, bifata abasaserdoti nk'abafise uruhara runini mu kumenyesha Inkuru Nziza, abakristu balayike nabo nk'abajejwe kuyishira mu ngiro.

Mu gutunganya ubutumwa rukristu nk'igihugu kimwe c'Imana, abakristu balayike boba bari kumwe n'abungere babo. Ekleziya yose ni umuryango wigisha Inkuru
Nziza.

Duhamagariwe kuba abarinzi hagati yacu n'iremwa Ijambo «Ito-rwa» ntiritegerezwa gutahurwa mu nsiguro ifise aho igarukira, yishimikije gusa ku bakurikiye Umukama mu nzira yo kumwihebera.

Turahamagariwe twese kwitabira Ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu, yerekeye kwegeranya abantu bashwiragiye no kubasubiza hamwe n'Imana. Muri rusangi, ikiremwa muntu cose, imbere yo guhura imbonankubone na Yezu (1 Raba inyigisho ya Papa, Inkuru Nziza y'akanyamuneza, mu nomero 120).

Kristu no kwakira ukwemera rukristu, araronka ku bw'ingabirano y'ubuzima umuhamagaro shimikiro : umwe wese muri twebwe yaremwe n'Imana imukunda, kubera we, yaragize iciyumviro kimwe rudende kandi kidasanzwe, uwo mwakaka w'Imana uba mu mutima w'umuntu wese, duhamagariwe kuwuteza imbere mu buzima bwacu, mu guterera mw'iterambere ry'ubuntu buremeshwa n'urukundo rwa Kristu no kwemerana hagati yacu.

Duhamagariwe kuba abarinzi hagati yacu, kwubaka ubunywanyi bw'umwumvikano no gusabikanya, gukiza ibikomere ndemanwa kugira ngo ubwiza bw'umuntu ntibusambuke.

Muri make, gucika umuryango umwe mu nzu rusangi y'igitangaza twaremewe, mu budasa buhimbaye bw'abayigize.

Muri iyo nsiguro yiyaguye, atari abantu gusa, ariko kandi ni imiryango y'abantu, imibano n'ubunywanyi bw'ubwoko bwose birafise « itorwa».

Mu kutwihweza, Imana irakeneye inyishu yacu

Ni muri iryo torwa rusangi hinjiramwo umuhamagaro w'umwihariko Imana itwerekezako, mu guhuza ukubaho kwacu n'Urukundo rwayo no mu kugutumbereza bku ntumbero yayo, ku mwuzurira urengeye n'umuryango w'urupfu.

N'ukwo rero Imana yashatse kwihweza neza ubuzima bwacu.

Amajambo akurikira yitirirwa Michel-Ange Buonarroti: « uruhande rwose rw'ibuye iyo rufutse ishusho, haba hasigaye igikorwa c'umuhinga wo kuyibonesha » Nimba ukwo ari ukwihweza kw'umuhinga, niko kandi Imana itwihweza: Mu mwigeme w'i Nazareti, yabonye Nyina w'Imana; mu murovyi Simoni, mwene Yonasi, yabonye Petero, ibuye yubatseko Ekleziya yiwe ; mu mutozakori Levi,

Yabonyemwo umututumwa n'umwanditsi w'Inkuru NzizaMatayo, muri Sawuli, uwahama abakristu, Yabonye Paulo, umutumwa w'abanyamahanga. Ukwihweza kwayo kwuzuye urukundo kuradushikira imisi yose, kuradukorako, kuratubohora kukaduhindura, kukatugira abantu bashasha.

Ng'ubwo ubukomezi bw'itorwa ryose : twarahujwe n'ukwihweza kw'Imana, yo iduhamagara. Itorwa, nk'ubweranda, si ubuzima budasanzwe tubayemwo bwagenenewe bamwe. Nk'uko, « hariho aberanda ku rundi ruhande » , vyongeye umuhamagaro ni uwa bose, kuko bose barihwejwe n'Imana bongera bahamagarwa
nayo.

Umugani wo mu bihugu vya Aziya bishira Uburaya uvuga uti : « umunyabwitonzi araba irigi akabona igisiga, araba urutete akabona igiti kinini, araba umucumuzi akabona umweranda.» Ukwo niko Imana itwihweza: muri umwe umwe wese muri twebwe, ibona ubushobozi, rimwe rimwe na twebwe tutiyiziko,

Ibik. ku rup. 5

# "Igikorwa cose kibonekere ku mwimbu, umurundi wese aroranirwe."

*(Bitangurira ku rup.1)*

Ni ho tuvuga ko igiturire ari umwansi w'iterambere, kuko utwo abenegihugu bari bifitiye duherera mu mifuko y'abantu.

17. Si ivyo gusa, ubunebwe mu bakorera igihugu ni inkomoko y'ubukene, kubera abenegihugu aho kuja ku bikorwa birirwa bicaye aho indongozi zikorera hanyuma bagataha uko.

Uretse n'uko kwirirwa banamye, hagera kuronka inyishu bakabarenganya, bigatuma bazembagirika baja kwitura urwego rwo hejuru. Murumva ko umwimbu wabo uca ugabanuka kuko bataronse umwanya wo gukora.

18. Ikindi kizira ku mukozi w'igihugu ni ugusesagura canke kunyuruza itunga rusangi. Twomenya ko ari ryo tunga tuzeyeko iterambere, ko kizira rero ko rija mu mufuko w'abantu bamwe bamwe.

Iryo tunga rinyuruzwa canke rigasesagurwa ni uruhombo rukomeye, ni kimwe mu mvo zituma abatangakori badebukirwa kuko babona ko ata kamaro ko gutanga ikori, bagaca ndetse batangura gucisha ubutunzi bwabo mu kinywabi kuko batabona akunguko batanze ikori.

19. Turazi ko iyo turiko tugwanya ivyo vyose mvuze hari abo bikomeretsa ku mutima kuko bari baramenyereye kugabangana itunga ry'igihugu. Ni co gituma ibi mvuga biraba twese, baba abakorera igihugu, baba n'abikorera ivyabo.

Muri aba, twovuga abahawe ubutare bagashora hanze, bagurisha bakishirira mu mifuko yabo canke abahabwa amasoko ku biciro vy'umurengera. Abo bose bomenya ko iyo ngendo ari yo ituma igihugu kiba gikene. Umusi bazobihagarika, umwe wese akarya ivyo abiriye akuya, igihugu kizotera imbere.

20. Muri iyo ntumbero, twame dufise ku muzirikanyi ya ngingo ngenderwako ngo: "Umwe wese azane ubushobozi bwiwe, umwe wese ahemberwe ivyo yakoze".

Mbere ni iyo ngingo igiye kutugenga, cane cane twebwe abemeye gukorera igihugu, mw'ikoreshwa ry'uburyo buzohora butangwa uko umwaka utashe.

21. Tubeho tubizi ko kuva ubu, ibwirizwa rigenga uburyo ibisata vy'igihugu bizokoresha rishingiye ku ntumbero yo guha uburyo ibizokorwa, kandi ko ku kiringo cose, imbere yo kwongerwa ubundi buryo, igisata cose kizobanza kwerekana ico uburyo caronse ubwa mbere bwakoreshejwe.

Ivyo biraba ibisata vyose vy'igihugu, vyaba ivy'inzego nkuru canke mu makomine. Ni nk'uko igisata cose c'igihugu gitegerezwa kwerekana amahera yose cinjiza n'ingene ayo mahera azokora. Muri make dushaka ko amahera yose aboneka mu kigega c'igihugu kandi ko yose akora ivyo abenegihugu bakeneye.

22. Duteye akamo abo dufashanya mu bijanye n'iterambere ry'abenegihugu, kudufata mu mugongo mu kwemera tukajana muri iyo nzira. Twipfuza abadusahiriza kugira dutere imbere, tureke kubaruhisha imyaka yose.

Twihaye intumbero yo gukura amaboko mu mpuzu, tugwize umwimbu, gurtyo tubone gutezurira abama na ntaryo bafasha Uburundi kwisununura ariko bukaguma hahandi nk'akabande. Ni muri iyo ntumbero twaharashe, tukabona aho twohera, ari aha mu burimyi n'ubworozi.

23. Mu vyo dukora vyose tuzirikane ko uburimyi ari ryo rembo ry'iterambere mu gihugu. Uburimyi ni bwo butunze ubuzima bw'abantu bose kuko ni bwo bubagaburira.

Uburimyi ni co gikorwa ca mbere gitanga akazi kuri benshi. Iyo ugize umwete mu kurima, uraronka umusesekara ujana kw'isoko. Umuguzi na we aba abaye nk'umukoresha kuko umuha umwimbu na we akaguha amafaranga twokwitiranya n'impembo.

Uburimyi rero tubushira mu bikorwa bihambaye bituma abantu benshi imifuko ibomboka bagaheza bakikenura.

24. None rero, reka mbonereho gusaba ko ata Murundi ashitse mu bigero yobaho atagira akarima kugira ngo dufungure ivyo twirimira, hanyuma umusesekara tuwushore mu yandi mahanga gurtyo turonke ya mahera mvamakungu atuma natwe dusuma ivyo tutihingurira.

25. Mu myaka yahera, umusi mukuru w'abakozi n'akazi wahimbazwa ku buryo butandukanye mu gihugu c'Uburundi. Mu makomine yo mu gihugu hagati, wari umusi mukuru wo guhaya ivyo abantu baranguye, umwimbu n'ubuhinga.

Mu bisagara bikuru bikuru vy'igihugu, icaza imbere ntikwaba guhaya umwimbu, kuko abaserukira amashirahamwe y'abakozi babona ko ikiza imbere ari ugushikiriza akababakiye, bakerekana ibitagenda neza kandi basaba Reta akarusho.

Uwo musi wamengo ni uwo kwidodomba, berekana ko igihugu kibariye, mbere uwubirabira hafi yabona ko bariko baratabaza

26. Aho tugeze ubu ntibikabe uko. Ubu turi mu gihe co gutegerana kuko igihugu ni twebwe tukigize, hageze aho dusuzuma ahubwo ingene umugambi w'itunganywa ry'ibikorwa wifashe.

*Ibik. urup.6*

***Ndongozi y'Uburundi***

# Duhamagariwe kwubaka umuryango w'abantu

*(Bitangurira ku rup.3)*

kandi mu buzima bwacu bwose, irakora ubudahengeshanya kugira ngo dushobore kubukoresha ku neza rusangi. Raba inyigisho ya Papa « Gaudete Et Exsultate » numero 6-9

Ni uko itorwa rivuka, kubera ubuhinga bw'Imana, ikoresheje amaboko yayo, iradufasha kwivako, kugira ngo hihishure muri twebwe, umuntu w'agatangaza duhamagariwe kuba.

Mu vy'umwihariko, ijambo ry'Imana riratubohora ukwikwegerako, riradutyorora rikaturema gushasha.

Twumvirize rero Ijambo, kugira twiyugururire itorwa Imana iduha! Ariko kandi twige kwumviriza abavukanyi bacu mu kwemera, kuko mu mpanuro zabo no mu karorero kabo hashobora kwihishamwo umugambi w'Imana utwereka igihe cose amayira mashasha yo gucamwo.

**Duhamagariwe kwakira uko Imana itwihweza**

Ukwihweza kwuzuye urukundo n'irema vy'Imana kwaradushikiriye mu buryo rudende muri Yezu.

Mu kuvuga umusore atunze, umwanditsi w'Inkuru Nziza Mariko yandika ati: «Yezu amwitegereje, yumva aramukunze.» (10, 21). Ukwo kwihweza kw'urukundo kwa Yezu gushingiye kuri umw'umwe muri twebwe. Bavukanyi, dukorweko n'ukwo kwihweza, kandi dutwarwe na kwo kure yacu! Twige kandi kurabana hagati yacu kugira ngo abantu tubana n'abo duhura ukwo bari kwose bashobora kwumva bakiriwe bongere babone ko hariho umuntu abarabanye urukundo kandi abatumirira guteza imbere ubushobozi bwabo.

Ubuzima bwacu burahinduka igihe twakiriye ukwo kwihwezwa. Vyose biba ikiyago c'itorwa, hagati yacu n'Umukama, ariko kandi hagati yacu n'abandi.

Ikiyago mu gihe tukibayemwo cane, cama kidufasha guhinduka kuruta ukwo turi: mw'itorwa ry'ubusaserdoti busuku, mu kuba ibikoresho vy'inema n'ikigongwe ca Kristu; mw'itorwa ry'ubuzima bwihevyi, mu kuba ininahazwa ry'Imana n'ubuhanuzi bw'abantu bashasha; mw'itorwa ryo kwubaka urugo, mu kuba ingabirano magiriranire, irondoka kandi irera ubuzima.

Muri rusangi mw'itorwa ryose, n'igikorwa ca Ekleziya, iduhamagarira kwihweza abantu n'abandi n'amaso y'Imana, kwitangira iciza no gukwiragiza urukundo, mu bikorwa no mu majambo.

Ku bw'ivyo, nashaka nshimike kuvyo umuganga José Gregorio Hernández Cisneros yabayemwo. Naho yakora nk'umuganga i Caracas, muri Venezuela, yipfuza kuba uwihebeyimana mu bafransiskano.

Mu nyuma yipfuza kuba umumonaki n'umusaserdoti, ariko amagara yiwe ntiyabimurekurira. Yaciye ategera ko umuhamagaro wiwe ari uwo kuvura, aho yitangira cane cane abakene.

Yaritangiye atiziganya abarwaye, bafashwe n'akaranda kiswe «gripe espagnole » kamaze abantu kw'isi muri ico gihe. Yagize isanganya n'imodoka avuye mw'i-dandarizo ry'imiti aho yari yaguriye imiti y'umurwayi ashaje. Ni icabona c'akarorero gisigura ukwemera umuhamagaro w'Umukama no kuwubamwo bihagije, haciye umwaka agizwe umuhimbazwa.

**Duhamagariwe kwubaka isi y'umuvukano.**

Nk'abakristu, ntiduhamagarwa gusa, ni ukuvuga twese umw'umwe duhamagawe n'itorwa, ariko kandi turatumwako.

Tumeze nk'ibimanyu vy'ibisharizo, kimwe kimwe ciza, ariko ni mu gihe tugiye hamwe tukagira ishusho imwe. Turakayangana umwe umwe nk'inyenyeri mu mutima w'Imana n'ubwiza bw'isi, ariko duhamagariwe kugira imiryango yerekana kandi ikamurikira inzira y'ubuntu, duhereye muvyo tubayemwo.

Ni ikinyegezwa c'Ekleziya: mu mubano mwiza mu budasa, ni ikimenyetso n'igikoresho c'ivyo umuntu ahamagariwe. Ni co gituma Ekleziya itegerezwa kurushirizaho kuba nsangizangendo: ishobora kugendera hamwe mu bumwe bw'ubudasa, aho umwe afise intererano azana kandi ashobora kwitanga mu bikorwa.

Mu gihe tuvuga «itorwa», si uguhitamwo vyonyene uburyo bw'ubuzima ubu na buriya, guhebera ukubaho kwiwe ibanga ry'ubusuku canke gukurikira akarangabutumwa k'umuryango, k'umuhari w'abihebeye Imana canke k'umuryango w'Ekleziya; ni ukurangura umugambi w'Imana, umugambi munini w'umuvukano Yezu yari afise mu mutima wiwe mu gihe yasenga Se ati: « ngo babe bose umwe» (Yohani 17, 21).

Itorwa ryose muri Ekleziya, no mu kibano, riraterera mw'ihangiro rusangi: gusamiriza mu bagabo n'abagore ubwo bumwe bw'ingabirano nyinshi kandi zidasa Mutima Mweranda we nyene ashobora gukabura.

Basaserdoti, bihebeye Imana namwe bakristu balayike, tugendere kandi dukorere hamwe kugira ngo dushinge intahe ko umuryango munini w'abantu ushize hamwe mu rukundo atari indoto, ariko umugambi Imana yaturemeye.

*Ibik. ku rup. 8*

# "Igikorwa cose kibonekere ku mwimbu, umurundi wese aroranirwe."

*(Bitangurira ku rup.4)*

Ni vyo, mu bikorwa, ico dushira imbere mu ntumbero, ni umwimbu ariko n'uwo mwimbu kugira ngo uboneke hategerezwa kuba hari ukwizerana hagati y'umukozi n'umukoresha.

Iyo habaye ukutumvikana naho baritura uwubumvikanisha ata wukoresheje ingimba. Ni co gituma inzego z'igihugu ari kirumara mu gutunganiriza abakozi n'abakoresha. Ibi rero bituma twibaza uruhara rw'inzego z'igihugu mu gutunganya ibijanye n'akazi.

27. Tubanze turabe ico ari co umukozi n'umukoresha. Umukoresha ni we nyene umugambi, agahamagara umuhinga kuwushira mu ngiro.

Uwo awushira mu ngiro ni umukozi. Abo babiri bafitaniye imigenderanire ikomeye kuko badashize hamwe, umugambi ntaco uvamwo.

Umugambi na wo utunguka, ntaco uba umaze, nyenewo ahitamwo kuwuheba. Ishirwa mu ngiro ry'umugambi ritegerezwa kuzanira inyungu umukozi n'umukoresha kugira ngo bose bunguke: Nyene umugambi arindiriye inyungu iva mu mwimbu, umukozi na we arindiriye impembo. Iyo umugambi ukozwe nabi, bompi baba bahomvye.

28. None abakozi n'abakoresha ubwo ivyo bavyumva kumwe? Ubwo umukozi ntashaka ko naho inyungu itoba yabonetse, ahembwa mu mutahe? Canke nyene umutahe wewe ntashaka kwirundira inyungu akibagira abayirondeye? Canke kugushaka inyungu y'umurengera, ntakoresha abakozi akavunamafyigo impembo ikaba intica ntikize kandi abakozi bahebeyeko amagara yabo yose?

Ivyo ni vyo bibazo abakozi n'abakoresha baba bakwiye gusuzuma kugira ngo urunani rwabo rubemwo impore.

29. Kugira ngo bigende neza, ni ngombwa ko abakozi, kubera ubwinshi bwabo bagira ishirahamwe kugira bashobore kugira ababaserukira ku musi ku musi iyo babona ko hari ico boshikiriza.

Ariko ngaha nagira mbonereho gukebura: ayo mashirahamwe y'abakozi si ayajejwe guharanira inyungu z'abakozi gusa.

Bategerezwa kuguma basuzuma, atari gusa ibibabangamiye mu bikorwa, ariko bakiga n'ivyotuma umwimbu ugwira mu bikorwa bajejwe, kuko harimwo no gucungera ibungabungwa ry'ubutunzi mw'ishirahamwe, kugira ntirihenuke ngo batahe zirayoye kandi ari ho bazeye uburaro n'uburamuko.

Bahamagariwe na none kwama bashira hamwe abakozi n'abakoresha, bagakora bumvikana. Iyo habaye amatati naho bakitura inzego z'igihugu kugira zibumvikanishe.

Ni ngaha duca tubonera uruhara rwa Reta mu bijanye n'itunganywa ry'ibikorwa.

30. Ubwa mbere ni uko inzego z'igihugu zitegerezwa gushinga amategeko n'amabwirizwa ngenderwako mu bijanye n'akazi kugira ngo akinge amatati ashobora kuvyuka hagati y'umukozi n'umukoresha.

Ayo mategeko yisunga ibijanye no kwubahiriza abakozi ahanini kuko kenshi usanga abakoresha bashaka gufata abakozi nk'abaja babo.

Ariko kandi amategeko ntiyoreka no gukingira amashirahamwe kugira ngo abakozi ntibabe abakora bicaye ngo bahembwe mu mutahe ataco binjije kuko impera n'imperuka ishirahamwe ryohenuka.

31. Ubwa kabiri, inzego z'igihugu ni umuhuza hagati y'umukozi n'umukoresha mu gihe hadutse amatati. Ni co gituma dukwiye gutegera akamaro k'amashirahamwe y'abakozi bakorera mu bisata vy'igihugu.

Tubanze tumenye ko igihugu atari ishirahamwe ry'umugwi w'abantu. Mbere twovuga neza ko igihugu atari umukoresha ahubwo ni uwutunganiriza abantu.

Birumvikana rero ko abakora mu nzego z'igihugu bafise ubutumwa bwo gufasha amashirahamwe y'abantu gutunganya ibikorwa mu mwumvikano hagati y'umukozi n'umukoresha.

32. Tuvuge rero ko amashirahamwe y'abakozi bo mu bisata bitandukanye ari yo amenya uko abakozi bakora mu mashirahamwe, asa n'ayo abo bakozi b'igihugu bakoreramwo, ari bo bazi neza icokorwa kugira ngo ayo mashirahamwe aramire abakozi bayo kandi n'abakozi bayo bakore bunguka.

Ishirahamwe ry'abakozi bo mu gisata c'amagara y'abantu ni bo bofasha inzego z'igihugu gutorera umuti abakozi bakorera mu bitaro ibi canke biriya.

N'abo mu gisata c'inyigisho ni ko kw'uko, bategerezwa gufasha inzego gutora umuti mu mashirahamwe afise amashure.

Muri make ayo mashirahamwe si yo aba akwiye gusaba inzego z'igihugu kuko na bo bazikoramwo; ahubwo aba ashikiriza uburongozi bw'igihugu ico babona cokorwa kugira mu gihugu hatunganywe neza ibijanye n'ibikorwa bitandukanye.

# Abakozi bacungera impangu n'ibintu, basaba gufatwa nk'abandi bakozi

Ku wa 12 Rusama, abaserukira abakozi bomumashirahamwe acungera abantu n'ibintu baratunganije ikiganiro ku bamenyeshamakuru aho bashize ahabona ingorane bahura nazo ku kazi kabo ka misi yose. Izo ngorane ku ruhande runini zishimikiye ku makosa y'akazi akorwa na bene amashirahamwe begukira.

Nk'uko vyavuzwe na Ndayavugwa Sebastien arongoye sendika SYVBU (Syndicat des Vigiles Burundais) rikaba riri mu runani rw'amasendika ahurikiyemwo a-bakozi muri ico gisata FEBUSTRASEG, ngo haraciye umwaka wose izo sendika zegeranije ingorane z'abakozi bo muri ico gisata, mugabo muri ico kiringo cose ngo ntakintu na kimwe kirakorwa.

Ngo nico gituma bahisemwo gushira ahabona ingorane zo muri ico gisata kuva kigitangura gukora mu mwaka wi1990.

**Bikuru bikuru mu ngorane z'abo bakozi ni ibihe?**

Abo bakozi bagizwe ahanini n'urwaruka rw'ize amashure yisumbuye na kaminuza hamwe n'igice gitoyi c'abaja gusaba ubwo buzi bakukurutse kubundi bumwe bumwe bushusha nabwo nko mu gisirikare n'igipolisi, baregeranije ingorane nyamukuru zishika 16, bazegeraniriza mu gitabu c'impapuro 17. Bikuru bikuru mubiri muri ico gitabu ni nk'ibi:

1°. Amashirahamwe atari make mu gisata co gucungera abantu n'ibintu akoresha abantu atamasezerano y'abakozi n'akazi ahabaye (Contrat de Travail);

2°. Ku mishahara y'abo bakozi hakurwako amafaranga yo kuvuzwa no gutegekanirizwa kazoza mugabo ayo mafaranga ntakore ico ajejwe. Hamwe hamwe no mw'ishirahamwe ritegekaniriza kazoza abakozi n'akazi ntamazina y'abakozi arimwo;

3°. Abakozi barirukanwa ku kazi, abandi bagahindurirwa ibibanza vy'akazi atamategeko namba yisunzwe;

4°. Ku kazi ntabiganiro vyigera bikoreshwa kandi arivyo bituma umukozi n'umukoresha baganira ivy'ubuzima bwabo;

5°. Amategeko mpuzamakungu akingira abakozi n'akazi Uburundi bwateyeko umukono, abakoresha bo muri ico gisata umengo ntabaraba. Bayahonyanga uko bishakiye;

6°. Akaruhuko k'umwaka (Congé Annuel) ntikigera gatangwa kandi ari uburenganzira mpuzamakungu bw'umukozi. Ivyo bituma hari abakozi bagira ingorane mu miryango canke bagahitamwo guheba akazi bakaja kuramutsa imiryango;

7°. Abakoresha ntibatanga ibikoresho nkenerwa vy'akazi;

8°. Abakoresha ntibategekanya uburyo bwo gukingira amagara y'abakozi babo;

9°. Amategeko y'akazi aranyegejwe, ahandi naho ntayahari. Aho bayashizeho naho, ni amategeko umukoresha yishirira uko avyumva abakozi ataco baterereye kandi atariko vbyategerezwa kugenda;

10°. Abakozi bakora amasaha menshi, ayarenga ku masaha ategekanijwe ntibayahemberwa. Imisi y'uburuhuko izwi boba barakora kandi ntibanayihemberwe.

11°. Abakozi ntibahabwa akaruhuko ka rimwe mu ndwi kandi bwari uburenganzira bwabo (Congé de récupération);

12°. Ubusumbasumbane bw'imishahara budasiguritse haba mw'ishirahamwe ubwaryo canke hagati y'amashirahamwe kandi abakozi bakora ibikorwa bimwe. Ntivyumvikana igituma badaheza ngo bafatwe kumwe.

13°. Mw'itangwa ry'imishahara ntihisungwa uburambe ku kazi;

14°. Impapuro zerekana ko umuntu akaora akazi canke yigeze gukora akazi, (Attestation de service ou attestation de service rendu) ahatari hake ntizitangwa.

15°. Abakozi ntibahabwa urupapuro rwerekana ingene agashahara kabo gaharurwa (Bulletin de paie) kandi urwo rupapuro ari ngirakamaro ku mukozi;

16°. Abakozi ntibahabwa uburenganzira bwo guhemberwa aho bihitiyemwo.

**Amategeko y'Uburundi avuga iki ?**

Igihugu c'Uburundi carashize umukono ku masezerano atandukanye yerekeye uburenganzi-ra bwa zina kiremwa muntu. Bisigura ko ciyemeje gukora ibishoboka vyose kugira kiyashire mu ngiro. Ingingo ya 26 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga ko ata muntu n'umwe azogirwa umuja canke umushumba. Ubuja n'ugucuruza abantu mu buryo ubwo ari bwo bwose birabujijwe.

Mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bwo kutagirwa umuja, amategeko agenga akazi mu Burundi arategekanya ko hategerezwa kuba amasezerano y'akazi hagati y'umukoresha n'umukozi .

Ingingo ya 34 y'igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi irerekana indangurakintu y'amasezerano y'akazi. Ivuga ko ari amasezerano yanditse umukoresha n'umukozi bagiriranira,ku gikorwa c'amaboko canke c'ubwenge umukoresha aha umukozi kandi agategerezwa kugihemberwa.

*Mélance Ndayikeze*

# Ikibazo c'umwimenyerezo mu mashule yegukira Ekleziya diyoseze nkuru ya Bujumbura ku ncuro ya 4

Ku magenekerezo ya 3 na 4 Rusama 2022, mu mashule yegukira Ekleziya muri diyoseze nkuru ya Bujumbura harakozwe ikibazo c'umwimenyerezo. Ivyo bibazo bikaba vyakozwe mu ntumbero yo kwirimbura hamwe no gufasha abo barerwa kwitegurira ibibazo vya Leta bimirije gukora.

Mu gutora ivyo bibazo rero, barisunga cane ibibazo vya leta biba vyarakozwe. Mu gukora ivyo bibazo vy'umwimenyezo, bagaheza bakabicungera cane nk'uko boba bariko bakora ikibazo ca leta. Ivyo bigatuma umurerwa abona ko ariko akora ikibazo kidasanzwe, bikamuha kubona urugero agezeko mu bumenyi, kandi bigatuma na cakibazo ca leta kitamutera ubwoba. N'umurezi nyene bikamuha kwirimbura ku vyigwa aba yaratanze.

MUDELEGA Lawura, ni umwe mu banyeshure biga kw'ishure ryisumbuye ryitiriwe Mutima Mweranda, yiga mu mwaka wanyuma mu gisata c'ibiharuro.

Ku bwiwe ati : «Muri rusangi, ibibazo vyari vyoroshe, umwanya gusa niwo wabaye muto ».


Foto: Chanel HARINGANJI

Ariko n'ubwo biruko, arizeye ko mu kibazo ca leta azobitora kuko nk'uko n'abandi banyeshure babishingira intahe, ngo ico kibazo c'umwimenyerezo kiba kigoye umuntu agereranije n'ikibazo ca leta.

NIYIGENA Karori, arongoye ivyigwa kuri iryo shure,


Foto: Chanel HARINGANJI

akavuga ko n'ico kibazo c'umwanya bavuga ko bagize, naconyene kiri mu bibazo bategerezwa kumenya ko babajijwe kuko bategerezwa kumenya ko bakorera kuri uwo mwanya muto nyene bahawe.

Akavuga kandi ko umwana ataja mw'ishure kugira arondere amanota yo mw'ishure gusa, ahubwo ko ivyo vyigwa yiga bimufasha gutera imbere mu bwenge kugira ashobore guteza imbere igihugu hamwe nokumenya ingene ashobora guhangana n'ibibazo biba bihanze igihugu.

Patiri HARERIMANA Dismas arongoye ishure ryisumbuye rya Vugizo,


Foto: Chanel HARINGANJI

kubwiwe avuga ko aravye ingene bashiruka umwete mugukora ico kibazo, atankeka ikibazo ca leta bazogitora. Akabahamagarira kwama bashiruka umwete nk'uko pawulo mweranda abitubwira ati: «Uwudakora ntakarye».

Patiri Eddy KWIZERA umugenduzi mukuru mu mashure yegukira Ekleziya,


Foto: Chanel HARINGANJI

aremeza ko ivyo bi-bazo bifitiye akamaro abanyeshure, ari naco gi-tuma n'ayandi mashure ahora atora ivyo bibazo kugira abanyeshule bipime.

Ahamagarira abarerwa kwitonda mu gutegura ibibazo vya leta kugire ntihagire akazobasoba kuko kiba ari ikibazo gisanzwe nk'ibindi vyose basanzwe bakora.

***Chanel HARINGANJI***

# Duhamagariwe kwubaka umuryango w'abantu



Dusabe bavukanyi, kugira ngo igihugu c'Imana, hagati y'ivyabaye biteye ubwoba muri kahise, kirushirizeho kwitaba uwo muhamagaro.

Twambaze umuco wa Mutima Mweranda, kugira ngo umwe wese muri twebwe ashobore kubona ikibanza ciwe kandi atange intererano yiwe muri uwo mugambi munini.

Bigiriwe i Roma, ku cicaro citiriwe Yohani Mweranda w'i Laterano, igenekerezo rya 8 Rusama 2022.

Ku musi w'Imana ugira kane wa Pasika

***Papa Fransisko***

*Vyahinduwe mu kirundi n'ibiro Ndemeshabutumwa bw'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi.*

# Urugo rwubakwa na babiri : Uruhara rw'umwe umwe

Kugira ugumye ubwiza n'ubuntu, ugerageza kwiyubaha no kwubaha abandi. Rindirana ukwigumya n'umwizero mwinshi umusi wawe. Gerageza kwica muri wewe ivyipfuzo vy'umubiri kandi ugire imigenderanire myiza n'abandi.



Foto : Mu bubiko

***Ukwemanga urukundo***

Umuntu yokwiyumvira akongera akibaza ati : « Vy'ukuri ni uyu Imana yantoreye nk'umufasha ubuzima bwanje bwose?» Iyumvire hama ufate ingingo. ugufata ingingo ndaguhisemwo muri bose ingo rero ko ubimenyereye dutegure kazoza k'umryango wacu. Aho rero biratanguye, ivyo gufyina turabivuyemwo ubu hageze aho twifatira ikibazo cacu mu minwe ukwubakana rero vyashimwe n'imana, ni vyiza kandi birahezagiye none twobitegura gute ? Ni ikihe twoherako kumenya imbere yo kwiyemeza ico gikorwa? Urukundo nyakuri ni uruhe? Umuntu yomenya gute ko ari mu rukundo nyakuri? N'ibindi bibazo nkoramutima nk'ivyo nivyo tuzoza turishura mu rukurikirane rw'inumero zimirije gusohoka .

**Chanel HARINGANJI**

# Polina Jaricot Ekleziya yaraye imushize mu rutonde rw'abahimbazwa



Foto : Mu bubiko

Ku wa 22 Rusama 2022, Ekleziya yarashize Umwigeme Polina Jaricot umwigeme yahebeye ubuzima bwiwe Imana n'abantu mu rutonde rw'abahimbazwa. Inkuka ya misa y'ivyo birori yaherejwe na Karadinale Luis Atonio Tagle i Lyon mu Bufaransa.

Polina Jaricot ni umwigeme yatanguje igikorwa ca Papa co gukwiza hose ukwemera.Yavukiye i Lyon mu Bufaransa mu mwaka 1799. Yitaba Imana ku wa 9 Nzero 1862 i Lyon mu Bufaransa nyene. Polina Jaricot yumvise umuhamagaro wo kwitangira Imana kuva ku myaka 17.

Mu kwitaba iryo jwi, yaciye afata ingingo yo guhebera ubuzima bwiwe Imana mu kugira indagano y'ubwerentegerwa mu gasengero kitiriwe Bikira Mariya w'i Fouvière i Lyon.

Yarafise igishika co gukwiragiza urukundo rw'Imana aho aherereye ndetse nahandi. Amaze gutohoza ingene abamisiyonari bahura n'ingorane zitandukanye iyo barangurira ubutumwa, yafashe ingingo yo kumenyana n'abamisiyonari, kumenyesha abandi ico bakeneye, kubatwara mu gisabisho no kubaronsa ivyo bakeneye vyobunganira mu buzima bwabo bwa misi yose.

Ku myaka cumi n'icenda, yatanguye kwegeranya uburyo bugenewe abamisiyonari kugira afashe abari muri ubwo butumwa. Ico gikorwa yakiranguye aciye ku bakozi bakora mw'ihinguriro rya se wiwe, baja hamwe mu kwegeranya amafranga yo kunganira abamisiyonari. Mu 1822 urwo runani rwahindutse igikorwa co gukwiza hose ukwemera.

Yarategera ko ivyo yokora vyose bitarimwo i-gisabisho ataco vyoheza ngo vyungure Ekleziya muri ico gikorwa co gukwiza hose ukwemera. Niho mu 1826, Polina Jaricot yatanguza i rozari yavugirwa mu mirwi igizwe n'abantu cumi n'abatanu, bakemeranya ko umwe umwe azovuga umurongo w'ishapule n'i-cibukiro bijanye. Gurtyo ku munsi ku munsi bakaba bavuze i rozari mu ntumbero yo gusabira abamisiyonari no gusubiza itoto ubuzamvyi bwa Bikira Mariya.

Polina Jaricot ntiyarazwa ishinga no kumenyesha inkuru nziza gusa, yarababazwa kandi n'akarenganyo kabera mu bakozi bakora mu mahinguriro. Aca yiyumvira gutanguza ihinguriro rizorangwa n'urukundo n'ubutungane. Polina Jaricot yitavye Imana mu mubabaro kubera iryo hinguriro ryiwe ryari ryahomvye.

Imana yaramuteye iteka ry'ukumvira abayisavye bamuciyeko kuko babona apfanye akamotera k'ubweranda. Ku wa 20 Rusama 2020, Papa Fransisiko yatanze uruhusha rwo gutangaza icemezo c'igitangaro citiriwe ubuzamvyi bwiwe. Pauline Jaricot ni akarorero k'ubweranda mu rwaruka rwa none.

**MSV M.Goreth Ndikumana**

# Uburenganzira bw'abana bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo



Abana bose barafise uburenganzira bwo kubungabungwa mu kudakoreshwa ibikorwa bihonyanga agateka n'uburenganzira bwabo. Bategerezwa kwitabwaho ata gucagura na kumwe. Ibihugu n'imiryango bifise uruhara ntangere mu vyerekeye gukingira abana ivyo vyose vyoza biteye ku biri n'agateka kabo. Nico gituma amategeko ategekanya imyaka abana bategerezwa gutangurirako akazi kugira ntibakoreshwe ibikorwa bibarengeye.

Ubwo burenganzira bw'abana bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi.

Ku rwego mpuzamakungu, amasezerano atandukanye arakingira abana kugira ntibakoreshwe ibikorwa biteye kubiri n'amateka yabo.

Ingingo ya 10 y'amasezerano mpuzamakungu mu vyerekeye ubutunzi, imibano n'imico kama mu gace kayo ka 3 ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bitegerezwa gufata ingingo zose zikenewe kugira bakingire abana bakiri bato n'abageze mu bigero ibikorwa vyose bibasinzikariza ubuzima ata gucagura na kumwe.

Gukoresha abana ibikorwa bibangamira amagara yabo, ugukura no gutera imbere kwabo canke bishira ubuzima bwabo mu kaga bitegerezwa guhanwa n'amategeko mpanavyaha y'ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano. Ivyo bihugu bitegerezwa kandi gutegekanya imyaka abana batangurira gukora akazi. Igihe hagize uwukoresha umwana atarakwiza imyaka itegekanijwe ategerezwa guhanwa.

Ingingo ya 24 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike, mu gace kayo ka mbere ivuga ko umwana uwo ari we wese ategerezwa gukingirwa na Reta n'-imiryango kubera akiri muto.

Ni muri iyo ntumbero ibihugu vyashize umukono kuri aya masererano bifata ingingo zose zishoboka kugira bikingire abana kandi abantu bose bakoresha abana ibikorwa bibarengeye babihanirwe.

Ingingo ya 32 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana ivugako ibihugu vyemeje aya masezerano biba vyemeye ko umwana ategerezwa gukingirwa kugira ntacurwe bufuni na buhoro kubera amaronko, kutazigirwako akazi kotuma agira impanuka, komutesha amashure, komwononera amagara canke kakabangamira iterambere ryiwe ku mubiri, mu bwenge no mu mibano.

Ibihugu vyemeje aya masezerano birashinga amategeko, n'ingingo zijanye n'intwaro, imibano n'indero kugira iyi ngingo ishirwe mu ngiro. Kugira ngo ivyo bishoboke, harisu-ngwa n'izindi ngingo zivyerekeye ziri mu yandi masezerano mpuzamakungu.

Ibihugu vyemeje aya masezerano : birashinga imyaka abana bategerezwa gukwiza kugira ngo barekurirwe gukoreshwa akazi, biraringaniza itegeko rijanye n'amasaha y'akazi n'uburyo gakorwa kandi bigategekanya ibihano bikwiye kugira ngo iyi ngingo yubahirizwe.

Ingingo ya 15 y'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka no kubaho neza kw'abana ivuga ko umwana akingirwa ivyo vyose bituma akora akazi kabangamira amagara yiwe, kamutesha amashure, kabangamira iterambere ryiwe ku mubiri, mu bwenge no mu mibano.

Ibihugu vyemeje aya masezerano birashinga amategeko kandi bigafata ingingo zose zikenewe mu vyerekeye intwaro, imibano n'indero kugira iyi ngingo ishirwe mu ngiro.
Ibihugu vyemeje aya masezerano bitegerezwa kwisunga ingingo z'ishirahamwe mpuzamakungu ry'akazi (OIT) ku vyerekeye itunganywa ry'akazi.

Nico gituma ibihugu bitegerezwa gushing imyaka abana bategerezwa gukwiza kugira ngo barekurirwe gukora akazi; gushiraho itegeko rijanye n'amasaha y'akazi n'uburyo gakorwa hamwe no gutegekanya ibihano bikwiye kugira ngo iyi ngingo yubahirizwe.

2. Ingene amategeko y'Uburundi atunganya ubwo burenganzira.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'abana bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo

(Bitangurira ku rup.10)

Mu gihugu c'Uburundi, amategeko atandukanye arakingira abana kugira ntibakoreshwe ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo.

Ingingo ya 19 y'Ibwirizwa Shingiro irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka kazina muntu bwashizeko umukono.

Ingingo ya 44 ivuga ko umwana wese afise uburenganzira bwo kubungabungwa no kworoherezwa kurusha uko abayeho mu vyerekeye amagara yiwe, umutekano wiwe, ukudafatwa bunyamaswa, ukudacurwa bufuni na buhoro canke gukoreshwa ku nguvu.

Ingingo ya 45 nayo ivuga ko bibujijwe ko umwana uwo ari we wese akoreshwa mu vy'urugamba. Mu gihe c'intambara, abana bategerezwa gukingirwa. Ingingo ya 270 y'ibwirizwa n°1/11 ryo kuwa 24 munyonyo 2020 risubiramwo igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi ivuga ko abana badashobora gukoreshwa akazi ko mw'ijoro mu mashirahamwe ya Reta canke y'abigenga.

Mu gukingira abana ibikorwa bibarengeye, ingingo 281 itegekanya ko umugenduzi w'akazi ashobora gusaba ko abana bakora akazi bakorerwa ibipimo kugira barabe ko akazi bakora kajanye n'inguvu bafise.

Uwo bigaragaye ko akazi ajejwe kamurusha inguvu, ategerezwa guhindurirwa bakamuha akazi katabangamira amagara yiwe. Iyo ata kandi kariho, umukoresha ategerezwa guca ahagarika amasezerano y'akazi bafitaniye.

Ingingo ya 282 ivuga ko umwana ategerezwa kuronswa umwanya wo kuruhuka. Igihe akora mw'ihinguriro, ategerezwa kuronswa n'imiburiburi akaruhuko kangana n'amasaha cumi n'abiri aharurwa kuva avuye ku kazi gushika azosubire gutonda ku musi ukurikira.

Ingingo ya 6 y'itegeko nshikiranganji n°630/1 ryo kuwa 5 nzero 1981 ryerekeye itunganywa ry'akazi k'abana ivuga ko abana bafise imyaka iri hagati ya 12 na 16 bashobora gukora ibikorwa bibayabaye nko kurera abana bavukana; gusoroma imboga canke ivyamwa ariko bigategerezwa kutarenza ibiro 15 ; kuragira ibitungwa; kudandaza ibimenyesha-makuru ariko naho nyene bitegerezwa kuba bitarenza ibiro 15 hamwe n'ibikorwa bibayabaye vyarekuwe n'abagenduzi b'akazi.

Ingingo y'7 itegekanya ko abana bafise imyaka iri hagati ya 12 na 16 badashobora gukoreshwa amasaha arenga 6 ku musi naho vyoba ari ibikorwa bibayabaye.

Ingingo y'9 ivuga ko umwana adashobora gukora akazi ko mw'ijoro.

Ingingo ya 13 ivuga ko bibujijwe ko abana bakoreshwa ibikorwa bibangamira amagara yabo canke bishobora kubateza ama-



sanganya cane cane nko kwimba ubutare, gusitura amabuye, gutwara imiduga, gukora ibikorwa bikoreshwa imisumento, gukora amatara canke gutwara ubwato.

Ingingo ya 15 ivuga ko bibujijwe ko abana bakoreshwa mu bunywero no mu bindi bibanza bihuriramwo abantu benshi kandi binywerwamwo inzoga.

Nk'uko twabonye ko abana bafise uburenganzira bwo kudakoreshwa ibikorwa bibangamira ubuzima bwabo kandi ubwo burenganzira bukaba butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amatege ko y'igihugu, uwutabwubahirije arahanwa.

Ingingo ya 541 y'igitabu c'amategeko mpanavyaha ivuga ko uwo wese yoheje umwana ngo akore ico cose kibujijwe n'amategeko, kibangamira amagara yiwe, ukubaho kwiwe canke ugukura kwiwe ahanishwa umunyororo uva ku myaka ibiri gushika ku myaka itanu n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi cumi gushika ku bihumbi mirongo ibiri.

Ingingo ya 544 ivuga ko umuntu wese akoresheje umwana ibikorwa vy'ubushurashuzi kugira aronke amahera canke ikindi kintu cose akeneye gushikako ahanishwa umunyororo uva ku myaka itanu gushika ku myaka cumi n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi mirongo ibiri gushika ku bihumbi mirongo itanu.

Ingingo ya 545 nayo ivuga ko uwo wese akoresheje umwana ibikorwa bibangamira amagara yiwe, umutekano wiwe canke ubwenge bwiwe ahanishwa umunyororo uva ku myaka itatu gushika ku myaka itanu n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi mirongo itanu gushika ku bihumbi ijana vy'amafaranga y'amarundi.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko abana bose ata gucagura na kumwe bafise uburenganzira bwo kwiga, kugira amagara meza, gukingirwa, kudakoreshwa ibikorwa bibarengeye, n'ibindi. Uwukoresheje umwana ibikorwa biteye kubiri n'ineza yiwe ategerezwa guhanwa nk'uko igitabu c'amategeko mpanavyaha kibitegekanya.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Impundu muri Ekleziya: ishirwa ku rutonde rw'aberanda abahora ari abahimbazwa

Ku wa 15 Rusama 2022, umunsi w'Imana ugira gatanu wa Pasika umwaka C, Nyenubweranda Papa Fransisiko i Roma ku kibanza citiriwe Petero mweranda, mu nkuka ya misa yaherejwe igihe c'isaha zine zo mu gatondo ku masaha y'i Roma; yarasize ku rutonde rw'Aberanda. abahimbazwa cumi :

* Titus Brandsma,
* Devasahaya Pillai,
* Cesar de Bus,
* Luigi Maria Palazzolo,
* Giustino Maria Russolillo,
* Charles de Foucould,
* Marie Rivier,
* Maria Francesca di Gesu,
* Maria di Gesu Santocanale
* na Maria Domenica Mantovani.


Wabaye umunsi w'impundu n'akanyamuneza kuko hari haciye igihe inkuka ya misa yo gushira abahimbazwa ku rutonde rw'Aberanda idaherezwa kuva aho ikiza ca Covid 19 gitereye kw'isi.

Muri abo bahimbazwa batewe iryo teka , harimwo umusaseredoti Cesar de Bus yatanguje umuryango w'Abasaseredoti b'inyigisho rukristu ( Pères Doctrinaires), bashitse muri Ekleziya yo mu Burundi kuharangurira ubutumwa; bakaba bari muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura, Paruwase Ruziba na Kinindo; na Diyoseze nkuru ya Gitega muri paruwase Bikinga.

**Ni nde Cesar de Bus?**

Cesar de Bus yavukiye mu gihugu c'Ubufaransa i Cavaillon 1544. Yatiwe mw'ibanga ry'ubusaseredoti mu mwaka wa 1582, yitaba Imana ku wa 15 Ndamukiza 1607. Yasizwe mu bahimbazwa na Papa Paul wa VI ku wa 27 Ndamukiza 1975, ashirwa mu beranda na Papa Fransisiko ku wa 15 Rusama 2022.

Yavukiye mu muryango w'abakristu. Amaze imyaka 20 Cesar de Bus yagiye mu gisoda. Mwenewabo Alexandre yari arongoye inteko zacungera umutekano w'umwami Charles IX yamutumyeko ngo nawe aze kuba ku kirimba. Ubwo buzima bwo ku kirimba ntibwamuhimbaye aca ahitamwo kuja i Avignon. Yari umusore azi ubwenge, abaho mu buzima bworoshe, akaryoherwa nivy'isi gusumba ico ijambo ry'Imana ry'igisha- Mu 1573, Cesar de Bus kubera urupfu rwa se wiwe na mwenewabo, yaboneyeho guhinduka.



Aca aja kuba mu gisagara c'amavukiro, aho afashijwe n'umukenyezi Antoinette Reveillade , yamusaba ku musomera



ubuzima bw'aberanda, yahavuye ahindurwa nico gikorwa aboneraho kuronka akanya ko kwiyumvira no gusenga. Ahava aba umusaseredoti, yatirwa muri iryo banga afise imyaka 38.

Amaze kuba umusaseredoti, Cesar du Bus yitangiye cane ubutumwa bwo kumenyesha ijambo ry'Imana mu bisagara vyahebwe. Ahava yihebera ubwo butumwa, atubwira ko ukwigisha ijambo ry'Imana neza bisaba gukoresha ururimi bose bumva.

Ubwo butumwa nibwo Mutima Mweranda yaciyeko aboneraho gutanguza mu mwaka 1592 umuryango w'abasaseredoti b'inyigisho rukristu ufise akarangamutima ko kwigisha ijambo ry'Imana. Uwo muryango ukaba warakoze ubutumwa bushimishije mu buraruko bw'Ubufaransa bwasa nk'ubwiganziwe n'abaporotisanti.

**Inyuma y'Imyaka 400 ashengeye ni ikihe gitangaro cabaye catumye Cesar de Bus ashirwa mu beranda.**

Amaze kwitaba Imana, abavyumvise bose bavuga bati:« Umweranda yapfuye». Haciye umwaka apfuye, abasaseredoti bari mu muryango yari yatanguje basavye kwimura ikiziga ciwe. Bamaze kuvyemererwa basanze ikiziga ciwe kimeze neza kitarabora.

Igitangaro catumye ashirwa mu beranda kijanye n'umukenyezi yakize kubera ubuzamvyi bwiwe. Mu mwaka wa 2016, umukenyezi wo mu Butariyano yari arwaye indwara yatewe n'ukuvirirana kw'amaraso mu bwonko yakize kubera incuti ziwe zamusabiye ziciye kuri Cesar de Bus.

Yari yinjiye ibitaro ku wa 17 Gitugutu, yasohotse ibitaro ku wa 30 Munyonyo 2020. Ku wa 20 Rusama 2020, Papa Fransisiko yararekuye igisata co kwa Papa kijejwe gutohoza ibijanye no kwemeza a-beranda ko bokwemeza ico gitangaro.

Tubamenyeshe ko Cesar de Bus azohora ashemezwa muri Ekleziya ku wa 15 Ndamukiza.

***MSV M. Goreth NDIKUMANA***